Urutonde rw'impapuro zikenewe mu gusaba Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y'akarere (UNM care or Out of county care).

Turagusaba kurungika bimwe **mu vyangombwa vyunganira** hamwe n'ibisabwa ku mugambi w'Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y'akarere (UNM or Out-of-County Care). Ivyo ni ukubera ko dukeneye kwemeza –

- Uri nde (akarangamuntu)
- Uba hehe (aho uba)
- Ukorera amahera angahe (ayo winjiza)
- Ufise amahera angahe muri Banki yawe hamwe n'ayari mu mitahe yawe (imitungo)

Igisata c'Ubufasha bw'amahera mu bitaro vya UNM kizosuzuma ivyifuzo vyawe hamwe n'inyandiko zishigikira ivyo usaba kikumenyeshe nimba hari izindi nyandiko zikenewe.

Aha musi hari urutonde rw'impapuro tuzokwemera. Ariko udafise izi mpapuro zivuzwe hano, bitumenyeshe. Tuzokorana nawe kugira dutore umuti.

Uri nde (Akarangamuntu)

Tuzogusaba 1 mur'izi nyandiko kuri **buri muntu mu nzu yawe**. Izo mpapuro zidufasha kumenya umwirondoro wawe n'uw'abo mubana bose. Tuzokwemera impapuro zose ziri hano hepfo (amakopi gusa).

- Igitabo c'inzira (ikinyamahanga canke ca Amerika)
- Icemezo c'amavuka (ikinyamahanga canke ca Amerika)
- Ifoto ya karangamuntu (uruhusha rwo gutwara imodoka, karangamuntu yatanzwe na leta, ikarata y'akazi canke y'ishure)
- Ikarata yo kwitegekaniriza kazoza
- Icemezo c'amaraso y'Ubuhinde
- Impapuro zemeza gutandukana kw'abubakanye
- Inyandiko z'amanota y'ishuri canke izo mw'irerero ryo ku murango
- Izindi nyandiko za leta, nka viza (na viza zataye igihe ziremewe)
- Inyandiko y'uwujejwe ikibazo cawe, uwujejwe amagara mu karere, ikigo mu karere kikuzi neza

This translation was completed by LanguageLine Solutions.

Niwaba udafise na rumwe mur'izi mpapuro zivuzwe hejuru, ubitumenyeshe. Tuzokorana nawe kugirango uronke urundi rwandiko kugirango ukwize ibisabwa ku mwidondoro. Wibuke, **ntubwirizwa** kugira ubwenegihugu bwa Amerika canke ubwimukira kugira wemererwe gufashwa n'Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y'akarere (UNM care or Out of county care).

Uba hehe (Aho uba)

Tuzogusaba urwandiko rwanditseko izina ryawe n'aho uba. Nimba uriko urasaba gufashwa n'Ubuvuzi bwa UNM (UNM care), ugomba kwerekana ko uba mu gisagara ca Bernalillo canke mu gisagara ca Sandoval. Nimba uriko usaba ubuvuzi bwo hanze y'intara, ugomba kwerekana ko uba mu yindi ntara ya New Mexico (si muri Bernalillo canke Sandoval). **Ukeneye gusa kimwe mur'izi nyandiko ku bo mu nzu bose.** Tuzokwemera rumwe mur'izi nyandiko zivuzwe hepfo (kopi gusa).

- Impapuro zo kwishurirwako
- Ubwishingizi bw'imodoka
- Fagitire z'ibikoreshwa (umuyagankuba, gaze, amazi, terefone, ingurukanabumenyi)
- Gukota, ingurane, canke inyandiko y'amatagisi.
- Iyindi fagitire canke urwandiko
- Icemeza ko wiyandikishije canke wandikishije umwana mu kigo c'ishure
- Ingaruka nziza za tagisi
- Ubwitegekanirize, ubumuga, iza bukuru, canke Urwandiko rw'akaruhuko
- Urwandiko rutanzwe n'umukozi ajejwe ico kibazo, umukozi w'ivy'amagara y'abanyagihugu, uwitaho ubuvuzi, ikigo c'abanyagihugu kikuzi hamwe n'uko ubayeho.



Ishusho yakuwe www.pnm.com/definitions

Udafise na rumwe mur'izi mpapuro zivuzwe hejuru, bitumenyeshe. Dushobora gukorana nawe mu kwemera impapuro zitandukanye.

Ukorera Amahera Angahe (Ayo winjiza)

Tuzogusaba ivyangombwa vyerekana amahera wewe n'umuntu wese wo mu nzu yawe mwinjiza mu kwezi. Tuzokwemera rumwe muri izi mpapuro zidondaguwe hepfo (kopi gusa).

- Uburyo bwo kuriha
- Ingaruka nziza zo kuriha tagisi
- Ikete ry'umukoresha rivuga amahera winjiza buri kwezi
- Ayabikijwe muri banki

- Ikete canke amakopi y'impapuro za Banki zavuye mu kigega c'ubwitegekanirize bw'abakozi, Indishi z'abakozi, ibibazo vy'abasirikare, canke ibiro bijejwe Ubuhinde
- Igitabo kidondora ukwikorera ubwawe
- Urwandiko rutanzwe n'umukozi ajejwe ico kibazo, umukozi w'ivy'amagara y'abanyagihugu, uwitaho ubuvuzi, ikigo c'abanyagihugu kikuzi hamwe n'uko ubayeho

Nimba udafise aho uba, uri mu gihombo, canke uronka SNAP, TANF, canke ufashwa na WIC, ntukeneye kurungika ivyemezo vy'ayo winjiza.

Nimba udashobora kwerekana amahera winjiza, canke ukaba atayo winjiza, urashobora kwandika itangazo ubivuga. Itangazo ryawe ryabwirizwa kuvuga amahera ukoresha buri musi ku mfungurwa, ku nzu no kwiyunguruza.

Nimba hari abantu uzi bagufasha mu vy'amahera, hazokenerwa ko bandika ikete yo gufasha. Mw'ikete ryabo, bagomba gusobanura uburyo baguha imfashanyo, ivyo bariha, ayo bishura, n'incuro bishura. Raba neza ko wewe n'umuntu agufasha musinya ikete hanyuma mukayirungika hamwe n'izindi mpapuro.

Urashobora kandi kuzuza urupapuro rwerekana ayo winjiza k'urubuga rwacu.

Ayo ufise muri banki n'ayo washize mu ma konte y'imitahe (Imitungo)

Kugira ngo wemererwe Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y'akarere (UNM care or Out of county care), ntushobora kugira ayarenga $20,000 muri konti yawe ya banki (ideni no kuzigama) na konti z'imitahe. Ntabwo tuzogusaba kubitsa mu kigega c'izabukuru, ingwati, canke ivyemezo vy'ayabitswe (CDs) kugirango wishure fagitire yawe. Ariko, nimba umaze kubitsa amahera mu mwaka, canke nimba amahera yarungitswe mu mwaka (bivuze ko itariki igeze igihe umutahe wawe ubwirizwa kwishurirwa), ayo mahera azoharurwa nk'ayinjira.

Tuzokwemera ivyerekanwa na kahise ka konte vya vuba mu kuyigenzura kwose, ayazigamwe, hamwe na konte z'imitahe ufise (kopi gusa).

Menya neza — Inzu yawe, Imodoka, n'amahera y'izabukuru ntibirimwo. Ntibikenerwa kurungika impapuro zivyerekana.

Hoba iki mu gihe ntafise inyandiko zibishigikira?

Hamwe woba udafise izo mpapuro zo gushigikira, urasabwe kubitumenyesha! Turifuza gukorana nawe ngo dutore inyishu.

Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y'akarere (UNM care or Out of county care) burashobora kwemeza izindi nyandiko zitanditswe hano.

Vyomera gute mu gihe mfise ibibazo canke nkeneye ubufasha?

Tugendere hano —
Ibiro Bikuru vy'Ubufasha bw'Amahera
1131 University Blvd, Suite D
Albuquerque, NM 87102

Duhamagare — 505 272-2521

Ja ku rubuga rwacu —
Ku zindi nsiguro, Amabwirizwa yuzuye yo Gufasha mu vy'amahera, hamwe n'ugushira mu zindi ndimi izi nyandiko, musabwe kuja ku rubuga rwacu— https://unmhealth.org/patients-visitors/billing-insurance/

Urashobora kandi gusaba Ubuvuzi bwa UNM n'ubuvuzi hanze y'akarere (UNM care and Out of county care) hano. Ariko ukeneye gusaba uburenganzira bwo gusaba iyo nteguro. Usabwe guhamagara kuri 505 272-2521 kugira ngo utegure ihuriro ryawe n'Umuserukizi w'Igisata Kijejwe Ubutunzi.

This translation was completed by LanguageLine Solutions.